
KINGDOM LIFE COMMUNITY

GUTAHURA UBWAMI BW'IMANA



Pasteur NDAYISENGA Wenceslas

Tel: +257 79 93 89 21
ou +257 79 98 82 36

Email:
wenceslas304@gmail.com

Site Web:
https://bujumbura.bi

UGUSHIMA

Ntanguye gushimira Umwami wacu Yesu Kristo kuko ariwe soko ry'ubwenge, n'ihishurirwa, n'ugutahura.

Ndashimiye bivuye ku mutima HABONIMANA Evelyne, umufasoni wanje, ku masengesho asengera umurimo. Ndaremeshwa cane no kwitanga kwiwe.

Ndashimiye abatama bose ba KLC: NSAVYIMANA Pascal, HABONIMANA J. Claude, MAPENDANO Audifax, SIBOMANA P. Claver, NSABIYUMVA Clément na NDIKURIYO J. Marie ku kuntu bashira mu ngiro ijambo ryose Imana iriko irasuka mw'isi muri kino gihe.

Turashimiye abarongozi n'abanyamuryango bose ba KLC n'abantu bose baterera muri kino gikorwa co gushinga no kwagura ubwami bw'Imana mw'isi uno musi.

IJAMBO RY'IKAZE

Haraheze ibihe vyinshi abavugishwa n'Imana n'Intumwa zayo, bigisha kw'ihinduka rigiye kuba mw'ishengero ry'Imana mu buryo bw'umuvyuro. Kingdom Life Community n'imwe mu miryango yumvise ijwi ry'Imana ku bw'intumwa zayo kandi ihagurukanwe n'ugushitsa ubuhanuzi mu mwuzuzo w'ubugombe bw'Imana.

"Kand'imanza ziroranye ni zo nzogira umugozi ugera, n'ubugororotsi nzobugira karisho[1]: urubura ruzovumbura ubwo buhungiro bw'ibinyoma, kand'amazi azosendanisha aho hantu ho kwinyegeza." (Yesaya 28:17)

Mu giheburayo "***umugozi***" ni "***qav***" bisigura ingero yo kugeresha. Ijambo ry'Imana ni ingero yo kugeresha ubugororotsi, ivyanditswe n'ihishurirwa. Kingdom Life Community ntihagurukanwe no kwemeza ivyo abantu bahurijeko, ariko ihagurukanwe no kwemeza no gushitsa ubugombe bw'Imana nzima. Nimba ukuri kwovugwa kudashingirwa intahe n'ijambo ry'Imana; ntikuva ku Mana kandi biba ari ibinyoma, naho iyo migenzo yoba ihurijwe ko n'abantu benshi.

"Nukw'iyo misi y'ubutamenya, Imana yarayirengagije, ariko noneho igera kw'abantu bose bari hose bihana, kuko yashinze umusi wo gucirakw'isi yose amateka y'ukuri, izoyacisha umuntu yatoranije, kandi yahaye bose ikimenyamenya c'ivyo, mu kumuzura imukuye mu bapfuye" (Ivyakozwe 17:30–31).

Imana yarirengagije imisi y'ukutamenya aho tutari tuzi iciza na kimwe kandi tukagira mu kutamenya kw'ijambo ryayo. Imana iriko iraserura ukuri ku mugambi wayo kugira ihindure yongere ikuze ishengero ryayo. Ubu dusabwa kwihana (guhindura ivyiyumviro) tukemera Ubutumwa Bwiza bw'Ubwami bw'Imana. Igihe co kutamenya kibwirizwa kurangira.

"Uyo azokwigisha nde ubwenge? Kand'azotahuza nde ubutumwa? Mbega n'abacutse n'abavuye kw'ibere? Kukw'ivyiwe ar'ibwirizwa ku rindi, ibwirizwa ku rindi, n'umurongo ku wundi, umurongo ku wundi, hamwe tumwe, ahandi utundi" (Yesaya 28:9–10)

Mu maboko y'Imana hari ukuri kwarindirijwe imyaka kugira guseranguke. Ishengero ririko ririnjira mu gihe cavugishijwe naho benshi batabitahura. Muri uyu

[1] Karisho n'akagagozi karikw' akabuye bageresha mu kwubaka nko mu buryo bwa nivo.

mwaka w'Ubwami bw'Imana, ndakugira inama yo kubumbatira ukuri hanyuma utangure kujana n'ihinduka ririko rirasukwa n'ijuru.

Ukutamenya kandi no kubura umugende w'ihishurirwa w'ijambo ry'Imana n'umugambi wayo vyatumye amasinzi ava mu vyizerwa, batangura gushinga ubumenyi n'ivyiyumviro bihuye n'imigenzo y'amadini. Igihe casezeranywe ni igihe co kugarukana ishengero ry'Imana gukora umugambi w'imfura ryatoranirijwe.

Nimwakirane ubugwaneza ijambo ryose ritewe hagati muri mwebwe muri iki gihe ishashara n'ibimenyetso vyari bipfutse ukuri biriko biramenagurika (**Daniyeli 12:9**).

Pastor NDAYISENGA Wenceslas
Tel +257 79 938 921/79988236

I. UBWAMI BW'IMANA

Kubizera Umwami Yesu Kristo ubutumwa bwiza bw'inkuru z'ubwami bw'Imana ni imwe mu nkuru zikomeye z'ubugingo mu kwizera kwacu ariko itaramenyekana. Iyi nkuru yagutse ntiramenywa na benshi mw'ishengero rya Kristo naho dufise abigisha n'abungere benshi kandi bamaze imyaka myinshi mw'ibango. Nitwamenya ibanga ry'ubutunzi bw'Ubwami bw'Imana, ugutahura kuzoduha guhinduka no kwidegevya mu mpande zose z'imibereho yacu mu buzima bw'impwemu kandi kuzoduha umugambi n'intumbero mu gukorera Imana kwacu.

Abizera benshi gushika uno musi ntibaratandukanya ubutumwa bwiza bw'ubwami bw'Imana n'ubutumwa bw'ibitangaza, ubutumwa bw'umugisha n'ubutumwa bw'agakiza n'ukubohoka. Ubwo butumwa bwose buremerwa n'ijambo ry'Imana kuko ubutumwa bwose bufise ico bwarungikiweko gushitsa ariko kenshi ntituba maso mu gutahura ko mu Mana ikintu cose cashingiwe igihe caco kandi ko ikintu cose n'umwanya waco ***(Umusiguzi 3:1)***. Iyo tuvuze ubutumwa bw'ubwami bw'Imana ntaho tuba duhuriye ni vyo uno musi bita ubutumwa bwiza kuko vyinshi bishingiye kwirari n'ivyifuzo vy'abantu. Kwitiranya ibintu n'umuvumo kuko hazobona ibara abita ibisosa mu gishingo c'ibirura.

Mu gushiraho itandukaniro vy'ubutumwa bwiza bw'ubwami bw'Imana n'ubutumwa bundi kenshi busasirwa n'amasinzi y'abantu, turakeneye imbere ya vyose gusigura icarico "***Ubwami bw'Imana***" hamwe n'ikitari Ubwami bw'Imana.

"Kuk'ubwami bw'Imana atar'<u>ukurya</u> n'<u>ukunywa</u>, ariko n'<u>ukugororoka</u>, n'<u>amahoro</u>, n'<u>umunezero</u> vyo muri Mpwemu Yera." (Abaroma 14:17)

Turakeneye gutahura yuko Ubwami bw'Imana atari amakuru avuga ivy'**ukurya** n'**ukunywa**. Ubwami bw'Imana ntibwerekanwa n'ubwiza bw'ikintu vyabumbwe n'amaboko y'abantu canke tubonesha amaso y'umubiri nkuko benshi bihanukira mu kwigisha ubutumwa bw'imigisha no kubohoka. Ijambo ryera rirerekana mu kwera kwaryo ko ubwami bw'Imana ari **ukugororoka**, **amahoro** n'**umunezero** vyo muri Mpwemu Yera. Iyo dukwirikiye kandi tukitwararitse ubutumwa bw'ubwami bw'Imana tuba dufisemwo ukugororoka, amahoro n'umunezero bidaturuka mw'isi canke ku butunzi n'icubahiro c'isi.

Imana yonyene yaratanze ihishurirwa ry'ubwami bw'Imana mu guhishurira intumwa zayo, mw'ihishurirwa ry'Intumwa Paulo, yerekana ko Ubwami bw'Imana burengeye kamere n'ibibonwa n'amaso y'umuntu. Vyatumye Paulo ari muri

mpwemu, mu rwandiko yandikiye Abaroma yerekanyeko Ubwami bw'Imana ari ivyamwa vya Mpwemu Yera ar'ivyo **Ukugororoka**, **amahoro** n'**umunezero**.

Ubwami bw'Imana ni ukugororoka, ni amahoro, ni umunezero vyo muri Mpwemu Yera. Mpwemu Yera aba muri twebwe. Ubwami bw'Imana rero ni ikintu c'impwemu cagererewe muri twebwe na Mpwemu w'Imana. Ubwami bw'Imana ni integuro y'imfura mu migambi y'Imana iba muri twebwe.

"Kandi ntibazovuga, bat'Ehe ngubu: canke Nguburiya; kukw'Ubwami bw'Imana buri muri mwebwe." (Luka 17:21)

Luka 17:21 uyo murongo urakura kuzazanirwa no kudakura kandi uwo murongo urahagurutsa ishengero rya Kristo gukimbukira no kugumbira ubwami bw'Imana akaramata.

Mu gihe dutanguye gukoresha ijambo ubwami mu vyera abizera benshi imitima yabo iracurama, abandi bakuzura imanza zishingiye kw'idini z'Ivyabona vya Yehova. Ikibabaje nuko bamaze guca imanza bagaruka bemeza ko **Kristo Yesu ari Umwami**. Iyaba bavugishwa n'ukwizera ko Kristo Yesu ari Umwami Imana baba barahishuriwe ko atamwami atagira ubwami. Kuvuga ubwami bw'Imana kwacu, tubivugishwa n'agakiza gaturuka ku Mwami Yesu Kristo no kwemanga ko Yesu ari Kristo Umwami. Ijambo ubwami ntiriteye ubwoba n'amakenga ariko ritera ukugororoka, amahoro n'umunezero ku barihawe.

Ijambo **"*ubwami*"** mu kigiriki ni **"*Basileia*",** kandi mu giheburayo ni **"*malkuth*",** bisobanura ubwami, ukuganza, ubutware, ingoma canke ububasha bw'umwami. Ubwami rero ni ingoma y'intango aho ubutware bw'umwami bwiyerekanira; Ni nkenerwa gutahura ko Ubwami bw'Imana ari ingoma iganzwa n'Imana nk'Umwami. Ubwami bw'Imana ni urugezo aho ubugombe bw'Umwami Yesu buhinduka amabwirizwa yiwe kandi bugakwirikizwa. ***(Matayo 7:21 – 23).***

Iyindi nsobanuro y'ubwami ni abantu bahawe ubwami kandi bagaruka bahinduka. Ubwami ni ubwami biturutse ku gutahura kw'abantu ko begukira canke beguriwe ingoma. N'abantu Imana yahamagariye kuba abenegihugu mu butware bwayo kandi abo bantu bagahinduka ubwami mbere nabo bakitwa abami n'abaherezi.

Naho benshi bahakana ijambo ry'ubwami kandi badashaka no kurisomera abandi n'ukuri kudahariizwa kuboneka mu butumwa bune bw'isezerano risha: Matayo, Mariko, Luka na Yohana. Muri ubwo butumwa bune hakoreshwamwo amajambo

abiri, **"*Ubwami bw'Imana*"** ni **"*Ubwami bw'ijuru*".** Ubwami bw'ijuru buvugwa cane mu butumwa bwa Matayo, mu gihe ubwami bw'Imana buvugwa cane mu butumwa bwa Luka. Ayo majambo yose afise insobanuro imwe. Ubwami bw'Ijuru buvuga ikibanza kiganzwa n'amabwirizwa y'Imana. Ikindi ubwami bw'Ijuru buvuga aho intebe [**ukuganza**] y'Imana iba ***(Yesaya 66:1),*** mu gihe Ubwami bw'Imana buvuga ukuganza kw'Imana. Igihe cose ijambo ryerekana Ubwami bw'Imana canke Ubwami bw'Ijuru riba ryerekeye ukuganza n'ingoma iberamwo ubutware bw'Imana nk'Umwami.

"Uhoraho yahamangiye intebe yiwe mw'ijuru: <u>Ubwami</u> <u>bwiwe</u> buganza vyose." (Zaburi 103:19)

"Bazovuga ubwiza bw'<u>Ubwami</u> <u>bwawe</u>, bamamaze ububasha bwawe." (Zaburi 145:11)

"<u>Ubwami</u> <u>bwawe</u> <u>n'ubwami</u> <u>bw'ibihe</u> <u>bidashira</u>, ubugabe bwawe buzohangama uk'urunganwe ruzogenda rukurikira urundi." (Zaburi 145:13)

Ni vyiza cane gutahura kw'ijuru n'isi ari ingoma y'ukuganza kw'Imana. *Ukuganza kw'Imana n'uko ibihe bidashira*. ***(Daniyeli 2:37).***

Ubwami bw'Imana ni ukuganza ku bwami bwayo hamwe n'uburongozi n'ububasha bwayo. Kugira dutahure cane ukuri kw'ubwami bw'Imana turaba mw'isezerano rishasha imirongo ku mirongo yerekana ko Ubwami bw'Imana ari uburongozi n'ubutware bw'Imana atari umugabane w'ibihugu uri mukirere nk'uko benshi bavyibaza. Yesu yavuze ngo ***"Ndababwire ukuri, <u>utazokwakira</u> <u>ubwami</u> <u>bw'Imana</u> <u>nk'umwana</u> <u>muto,</u> <u>ntazobwinjiramwo</u> <u>na</u> <u>gatoyi</u>" Mariko 10:15*.** Ubwami Imana yateguye kuzokwakirwa nk'umwana muto si ***<u>ikibanza</u> <u>ariko</u> <u>ni</u> <u>ukuganza</u>***. Mukwinjira mu ngoma y'ubwami, umwe wese aritanga kugiti ciwe mu gutungana no kwizera kuzima yuko ukuganza kw'Imana kuhari kandi kuriho muri ubu bugingo. Kwakira ubwami bw'Imana n'ukwemera kuganzwa.

Isezerano rya kera ryerekana ko Ubwami bw'Imana ari ivyamwa n'ihishurirwa vya kazoza, **"*Igihe kiraje*"** canke **"*hazoba muri iyo misi*".** Ariko mw'isezerano rishasha tubona ihinduka. Kazoza kaganza isezerano rya kera gahinduka k'ubu mw'isezerano rishasha: "***ubwami bw'Imana buri hafi***".

"… <u>Igihe</u> <u>kirashitse,</u> <u>ubwami</u> <u>bw'Imana</u> <u>buri</u> <u>hafi</u>: mwihane, mwemere ubutumwa bwiza" (Mariko 1:15)

Muri Yesu Mesiya/Kristo Isezerano rya Kera ryarashikijwe, kandi Isezerano Risha ryaratanguye. Umutima w'Isezerano rya Kera ni ukuza kwa Mesiya hamwe n'ishingwa ry'Ubwami bw'Imana. Umwuzuzo w'inkuru z'abayuda kwari gutegura ukuza kwa Mesiya (Kristo). Isezerano Risha ryabaye itanguriro ry'ihishurirwa n'ishingwa ry'Ubwami bw'Imana nkuko vyavugishijwe na Daniyeli.

"Nuko ku ngoma z'abo bami, Imana yo mw'ijuru izohagurutsa ubundi bwami butazokwigera busenyuka, kand'ingoma y'inganji yabwo nta ho izonyagwa n'irindi hanga; ariko buzomara bukomvomvore ubwami bwose bw'abo bami; yamara bwo buzohangama gushitsa ibihe vyose." (Daniyeli 2:44)

Isezerano rishasha rihishura Yesu nk'uwashikije ivyagezwe hamwe n'amajambo y'abavugishwa n'Imana **(Matayo 5:17)**.Yesu yari kandi ni Mesiya yasezeranwe ko azoshinga ubwami bwiwe akwirikije integuro y'ubugombe bw'Imana Se.

Ukwizera kw'ubugingo kuvuga ko mw'isezerano risha ivyizigiro vy'abany'Isirayeli vyashikijwe muri Yesu. Ku Bayuda, Yesu yavuzwe ni Mesiya kandi ni icitegererezo ntanyiganyizwa. Intego y'Ubwami bwa Mesiya iratandukanye n'intego y'ubwami abayuda bashaka kubamwo mu misi yabo. Abayuda bashaka ubwami bwa politike y'igihugu cabo. Abayuda biyumvira yuko Yesu/Mesiya azoza gushinga ubwami bw'Imana yongere abakure munsi y'ubuja n'agahahazo k'ubwami bw'Abaroma bwari bubakandamije. Idini ry'Abaroma ryaganza Abisirayeli. Ububasha bwari mu maboko y'abapagani b'Abaroma: Pilato. Ibigirwamana vy'ubupfu bw'Abaroma vyaganza isi yose. Herode Antipa yaganza i Galilaya.

Uburyo Yesu yabona kandi yiyumvira kuri politike y'igihugu vyaratsitaza Abayuda. Mesiya yahishura ubwami bwiwe ko atarubwo muri iyi si, kandi ntantumbero yari afise yo gushinga ubwami bw'isi. Abayuda bashaka umuntu afise umutima nk'Umwami Dawidi, afise inkomezi z'umubiri, ashoboye kubakura mu maboko n'ubushobozi bw'Abagiriki n'Abaroma.

Iyo Herode amenya ko Ubwami bw'Imana atarubwo mur'iyi si, ntiyari guhagarikwa umutima n'uguseruka kwa Mesiya kandi ntiyari kurondera kumwica. Ubwami bwa Yesu ntibumeze nk'uko amasinzi y'abantu bashaka ko bumera. Mu gihe cose Yesu yavuga ivyerekeye ubwami, yakoresha amajambo abantu bazi ariko yayaha insiguro nshasha. Yesu yabwiye Nikodemu ko ubwami bw'Imana butazoza

bwerekanwa, kandi gutahura ubwami bw'Imana no kububamwo umuntu abwirizwa kuvyarwa ubwa kabiri akagirwa musha na Mpwemu y'Imana. **(Yohana 3:3–8)**. Ubwami bw'Imana ni ubw'Impwemu, si ishirahamwe canke imico n'imigenzo n'imisi mikuru y'idini.

"Yesu aramwishura, at'Ubwami bwanje s'ubwo mur'iyi si; iyaba ubwami bwanje bwar'ubwo mur'iyi si, abagendayi banje baba barwanye, ngo simpabwe Abayuda. Ariko noneh'ubwami bwanje s'ubw'ino" (Yohana 18:36)

Insiguro y'ubwami bw'Imana iri ku ***munzane wo gutahura***. Ni ubwa kazoza ariko muri ubu bugingo buriho. Hariho umwuzuzo w'ubwami bw'Imana wa Kazoza tudashobora kubonesha amaso yacu ariko ***Ubwami bw'Imana buri muri kubu na kazoza***.

II. GUTAHURA UBWAMI BW'IMANA

Nitwamenya ukuri, ukuri kuzoduha kwidegemvya. Amasinzi yabizera barahinduye umugambi w'imfura w'ubwami bw'Imana batako bawusubiriza ibimenyetso n'ibitanga. Mu cigisho kimwe mu vy'Ubwami bw'Imana dukeneye gutahura n'uko ubwami bw'Imana bushingwa ahantu hose abadayimoni birukanywe.

"Ariko Mpwemu w'Imana ni yaba ari we anshoboza gusenda abadayimoni, noneh'Ubwami bw'Imana burabashikiriye" (Matayo 12:28)

Igikorwa co gusenda abadayimoni si intambara yo kurwana n'abadayimoni ariko n'urugamba rwo gushinga ubwami bw'Imana. Ikigaragaza ko ***Mpwemu w'Imana*** ariwe adushoboza gusenda abadayimoni ni uko ubwami bw'Imana bwerekanwa aho hantu. Ikibabaje uno musi igikorwa co gusenda abadayimoni bakigize akarusho ko kumenyekana no gukomeza amazina y'abantu n'amashirahamwe. Icerekana ko Ubwami bw'Imana buriko burashingwa n'uko abadayimoni baba bariko baratakaza ikibanza mu bantu. Turashobora kandi kuvuga ko nimba dusenda abadayimoni kubwa Mpwemu w'Imana, Ubwami bw'Imana buba buri aho ubwonyene.

Ubwami bw'Imana n'ikibanza c'impwemu twimuriwemwo kubw'agakiza. Twaramaze gushirwa mu Bwami bw'Imana. Turi mu Bwami, ariko hariho vyinshi tubwirizwa kumenya mu vy'Ubwami. Paulo nawe nyene araduhishurira mu vyete vyiwe yuko Ubwami bw'Imana ari ikibanza twinjiyemwo nk'inyishu yo kuvyagwa na Mpwemu Yera.

"Yadukijije ububasha bw'umwiza, atwimurira mu bwami bw'umwana wiwe akunda" (Abakolosayi 1:13)

Ijambo kwimurwa rivuye mw'ijambo ry'ikigiriki "***methistemi***"
risobanura guhindurirwa ikibanza. Tumaze guharirwa ivyaha twahinduriwe ikibanza ubu turi mu Bwami bw'Imana. Nimba hariho ico kwirata ko twahawe ku buntu dukwiye kwirata ubwami bw'Umwana w'Imana, imfura mu bizera.

"Maze umwami azobwira abar'iburyo bwiwe, ati Ni muze, abo Data yahezagiye, muragwe ubwami mwateguriwe, uhereye ku kuremwa kw'isi" (Matayo 25:34)

Ubwami n'umurage abizera babikiwe kandi ubwami n'intumbero yo kubaho n'igikorwa c'abizera.

Si vyiza kwitiranya ishengero n'ubwami bw'Imana. ***Ubwami bw'Imana buragutse gusumba ishengero***. Turakeneye gutahura ko Yesu ataje gushinga ishengero

kw'isi, ariko yaje gushinga Ubwami bw'Imana. Nimba tugomba kuja ku rugezo Imana ishaka ko tujako muri iyi saha, tubwirizwa kugira iyerekwa ry'ibihe bidashira, no kwemera kubona iherezo ry'ivyo dukora kandi natwe tukemera ubwacu guhindurwa basha uko bukeye no kugira mu kuri tugezemwo (**Abafilipi 3:16**). Ni ibwirizwa risumbirije kugira ivyiyumviro n'intego vy'ubwami, kandi no kuraba hejuru y'inyubako z'amasengero n'ibibanza zubatsemwo, kubera ubwami bw'Imana buragutse gusumba ishengero ryo kw'isi. Mu gihe Imana igomba gushitsa umugambi ikoresha ishengero ryayo riri kw'isi. Ishengero n'igikoresho kiri mu maboko y'Imana kugira gishitse ubugombe bw'Imana. Ishengero n'abantu b'Ubwami bw'Imana. Hatabaye ishengero Ubwami bw'Imana ntibwoshobora gushingwa kandi hatabaye Ubwami bw'Imana ishengero ntantumbero n'umugambi ryogira. Ubwami bw'Imana bubwirijwe kuba intege z'ishengero. Ishengero rimwe n'umuryango w'abantu bumvise ijwi ry'Ubwami bw'Imana kandi bitabanye ukwizera kwijana ubwabo musi y'ukuganzwa n'ukurongorwa habaye kwumvira n'ukwemerera Ubwami bw'Imana. Ivyo bihindura ishengero kuba umubiri wa Kristo. Intego y'ishengero s'ukwishinga ubwaryo ng'aha kw'isi nk'uko tubibona uno musi mu ntonde n'iterambere, ariko umushinge w'intumbero w'ishengero n'ugushinga Ubwami bw'Imana. Ishengero si iryacu n'ivyiyumviro vyacu, ariko n'iry'Imana n'ubugombe bwayo. Imana iriko iratunganya ishengero mu kurigarukana ku mugambi nyakuri w'ubugombe bwayo. Ubwami bw'Imana bwateguwe uhereye kuva kwitanguriro y'isi.

"Ijwi ryayo ryanyiganyigije isi ico gihe: ariko noneh'irasezeranye, iti hasigaye rimwe, ngatigitisha, s'isi gusa ariko n'ijuru naryo. Iryo jambo, ngo yasigaye rimwe, ryerekana gukurwaho kw'ibinyiganyizwa, kukw'ar'ivyaremwe, kugira ngw'ibitoshobora kunyiganyizwa bigumeho. Ni co gituma, kuko twakira ubwami budashobora kunyiganyizwa, dukwiye gukenguruka, kugira ngo tubone ingene dukorera Imana tuyihimbaye" (Abaheburayo 12:26–28)

Ibintu vyose n'ikintu cose bizonyiganyizwa kandi bizokurwaho kiretse Ubwami bw'Imana. Ikitatewe kandi gishingwe n'Imana kizorandurwa, kandi ikitari Ubwami bw'Imana ni c'igihe gitoya. Ibintu vyose vyakozwe n'abantu bizonyiganyizwa kandi bizorandurwa hamwe n'imigenzo y'ikinyedini, ariko Ubwami bw'Imana n'Ubwami bw'ibihe bidashira kandi ntibuzorandurwa.

"Mw'ijuru numva ijwi rirenga, riti noneh'agakiza karashitse, gashikanye n'ubushobozi n'Ubwami bw'Imana yacu n'ububasha bwa Kristo wayo: kuk'umurezi wa bene Data akororewe hasi, yahora abarega ku murango no mw'ijoro imbere y'Imana yacu. Na bo bamuneshesheje amaraso y'umwagazi w'intama n'ijambo ryo gushinga intahe kw'abo, ntibakunda amagara yabo, ntibanka no gupfa" (Ivyahishuwe 12:10–11)

Ubwami bw'Imana ni ubutware (government mu rurimi rw'icongereza), kandi ntibwerekeye ubutware bw'iy'isi, ariko bwerekeye ubutware bw'Impwemu. Ubwami bw'Imana buriko burakora ubu ariko mu gishingo co gusambura ubwami bw'umuntu, busambura ubwami bwa Satani. Ubwami bw'Imana buriko burakora ubu ariko mu gishingo co guhindura urutonde rwa politike rw'iy'isi, buhindura imitima y'abagabo, abagore n'abana.

"Kuk'umwana atuvukiye, duhawe umwana w'umuhungu; <u>ubutware</u> buzoba kubitugu vyiwe: azokwitwa igitangaza, umujanama, Imana y'ubushobozi, Data wa twese ahoraho, umukama w'amahoro. <u>Ukuqwira</u> <u>k'ubutware</u> bwiwe n'amahoro ntibizogira iherezo, ku ngoma ya Dawidi no ku bwami bwiwe, bibukomeze, bibushigikize guca imanza zibereye n'ukugororoka, uhereye none ugashitsa ibihe vyose. Umwete w'uhoraho Nyen'ingabo uzoshitsa vyo" (Yesaya 9:6–7)

"Kandi ntibazovuga, bat'Ehe ngubu: canke bati Nguburiya; kuk'ubwami bw'Imana buri muri mwebwe." (Luka 17:21)

Ubwami bw'Imana bushira ubwami bwose musi y'ubushobozi bw'Imana.

"Nuko kungoma z'abo bami, Imana yo mw'ijuru izohagurutsa ubundi bwami butazokwigera butazosenyuka, kand'ingoma y'inganji yabwo nta ho izonyagwa n'irindi hanga; ariko buzomara bukomvomvore ubwami bwose bw'abo bami; yamara bwo buzohangama gushitsa ibihe vyose." (Daniyeli 2:44)

Ishengero ryatoranijwe n'Imana m'umwihariko kuba ubutware kw'isi biciye mu buyobozi bw'Ubwami bw'Imana; kandi Ubwo bwami n'ubwa Yesu Kristo nawe akazobuha Se ***(1 Abakorinto 15:24–28)***.

Ishengero rifise igikorwa ntanyiganyizwa kandi ryahawe igihagararo c'ubutware hejuru y'isi kugira rishitse umugambi w'Ubwami bw'Imana. Ishengero rirafise ububasha bwo gutahura no kumenyekanisha no guhishura ubwami kw'isi. Nkatwe

nk'Umuryango dutangura kubona ihinguka no kugarukana ishusho no gusubiza ibintu vyose nk'uko integuro y'umushinge yasa mw'iremwa.

"Mu misi y'iherezo umurwa wubatsweko ingoro y'Uhoraho uzogasara ku mpiga z'imisozi, uzoshirwa hejuru y'iyindi mirambi; kand'amahanga yose azosendanisha aja kuri wo. Amoko menshi azojayo, abarirane, ati Ni muze tuduge, tuje ku murwa w'Uhoraho, ku ngoro y'Imana ya yakobo, kugira ngw'itwigishe ivy'inzira zayo, natwe tuzigenderemwo; kukw'i Siyoni ariho hazova ivyagezwe, n'i Yerusalemu hakava ijambo ry'Uhoraho." (Yesaya 2:2–3)

Ubwami bw'Imana ngaha kw'isi bwahawe umwana w'umuntu abumenyekanishe kandi abuyobore kandi igihe kigeze azobushikiriza Se.

"Iherezo rizoca rishika, ah'azoshikiriza Imana ubwami, ni yo Data wa twese ni yamara gukurah'ubukuru bwose, ububasha bwose. Kuko guhangama azokwama ahangamye gushitsa ah'azoshirira abansi biwe bose musi y'ibirenge vyiwe. Urupfu niwe mu menja w'imperera azorandurwa. Nkuko handitswe, ngo yamuhaye kuganza vyose, ibishira musi y'ibirenge vyiwe. Ariko kw'ivuga, it'ahawe kuganza vyose; biraboneka yuko iyamuhaye kuganza itabiharurwamwo. Ariko niyamara gushikirizwa inganji ya vyose, ngw'Imana ibe vyose muri vyose." (1 Abakorinto 15:24–28)

Ubwami bw'Imana babwinjiramwo kubwo kwizera ariko babwagurisha ubuhizi, kandi abahizi babunyakurisha ubuhizi.

"Uhereye mu gihe ca Yohana umubatizi ugashitsa n'ubu barabandanira Ubwami bw'Ijuru, ababandana babunyakurisha ubuhizi" (Matayo 11:12)

Ubwami bw'Imana babunyakurisha ubuhizi (*force* mu Congereza canke mu Gifaransa) ariko mu kubwinjiramwo s'ubuhizi (force mu Congereza canke mu Gifaransa). Ijambo ry'Imana ryerekana ko Ubwami bw'Imana bubandanirwa, ababandana babunyakurisha ubuhizi. Si ubuhizi bw'inkomezi z'umubiri buvugwa, turakeneye gutahura yuko hama hariho igihe cose intambara mu kwagura Ubwami bw'Imana. Tutavyawe n'amazi na Mpwemu ntidushobora kwinjira ubwami bw'Imana (Yohana 3:3,5).

"Ahamagara akana, agahagarika hagati yabo, arababwira, ati Ndababwire ukuri: Ni mutirimbura ngo mucike nk'abana bato, ntimuzoruha mwinjira mu

bwami bwo mw'ijuru. Nuk'uzokwicisha bugufi nk'akana gato niwe mukuru mu Bwami bwo mw'Ijuru." (Matayo 18:2–4)

Ubwami bw'Imana bwashizweho nk'umugambi w'Imana uhereye ku matanguriro y'isi. Kandi ntibushobora kuja musi canke kwunamira ubundi bwami bwo mw'isi. Naho Ubwami bw'Imana butaramenyekana ariko ni ukuri kandi buzogasara kandi busasagare ku mahanga yose buteko buyaganze.

"Abacira uwundi mugani, at'Ubwami bwo mw'Ijuru busa n'akabuto ka sinapi, umuntu yabiriye akagatera mu ndimiro yiwe. Kandi ni kanzinya hanyuma y'imbuto zose, arikw' iyo gakuze kaba kanini kakaruta ibirimwa vyose, kakaba igiti. Maze inyoni zo mu kirere zikarika mu mashami yaco. Abacira uwundi mugani, at'ubwami bwo mw'ijuru busa n'umwambiro, umugore yabiriye akawuvanga n'ingero zitatu z'ifu, gushitsa ah'iri bututumbire yose" (Matayo 13:31–33).

Ubwami bw'Imana buhishurwa kandi bwerekanwa iyo tuvuze n'akanwa kacu Ijambo ry'Imana. Mu Giheburayo Ijambo ni "***dabar***" risobanura amajambo y'Imana. Ijambo ry'Imana ni ukuri kw'ijuru kuzana amavuta yo kushitsa icavuzwe n'Imana. Amavuta ni ububasha buza guhamangira umugambi w'ubwami. Ijambo ry'Umwami ryavuzwe n'ic'iyumviro n'umugambi w'Imana, ntirizoborera mw'isi, ariko rizoshitsa ico ryatumwe.

Mu gihe ubwami bw'Imana buhishuwe mu kugororoka, ibindi vyose birakurikira. Ikintu ca mbere abakristo bakwiye gukora n'ukurondera no kwitwararika Ubwami bw'Imana.

"Ariko mubanze mwitwararike Ubwami bw'Imana n'ukugororoka kwayo, niho ivyo vyose muzovyongerwa" (Matayo 6:33)

Hariho umwami umwe aganza ubwami bw'Imana, ni Yesu Kristo.

III. ABANA B'UBWAMI BW'IMANA

Abana b'Imana babwirizwa guhishurwa mu bwizigirwa bw'Imana kugira habe ubuyobozi bwiza bw'amabwirizwa y'ijuru mu gushinga ubwami bw'Imana kw'isi.

"Kukw'ivyaremwe vyiteze uguhishurwa kw'abana b'Imana biguhahamiye cane. Kukw'ivyaremwe vyagezwe kuganzwa n'ibitagira ikimazi, kandi sivyo vyavyigombeye, ariko vyagizwe n'iyageze ko biganzwa bityo, kugira vyizigire yuko na vyo bizocungurwa ngo ntibibe ibija vyo kubora, bizohabwa ukwidegemvya, gufatana n'ubwiza bw'abana b'Imana. Kuko tuzi yukw'ivyaremwe vyose binihira hamwe bikaramukirwa hamwe kugeza kugeza n'ubu: kandi si co gusa, ariko natwe abafise umushuzo wa Mpwemu, natwe nyene tunihira mu mitima yacu, twiteze gucika abana b'Imana, nikwo gucungurwa kw'imibiri yacu." (Abaroma 8:19–23)

"Abo nkunda, none tur'abana b'Imana, arik'uko tuzomera ntikurahishurwa; ico tuzi, n'uko Yesu ni yahishurwa tuzosa na we, kuko tuzomuraba ukwari" (1 Yohana 3:2)

Turi abana b'Imana, ariko uko tuzomera ntikurerekanywa canke ntikurahishurwa.

"Kuko twebwe abari mur'uru rusago tuniha turemerewe, s'uko tugomba kwamburwa, ariko tugomba kwambikirwa kuri rwo, ngw'igipfa kimirwe n'ubugingo" (2 Abakorinto 5:4)

Mu gihe ugushitswa kw'abana b'Imana gutanguye kuboneka, tuzobona umwana w'umuntu ari mu bwiza. Ni iyerekwa ry'Ubwami bw'Imana rizana gukomera kw'abana b'Imana no gushika mu bwiza bwayo. Iyerekwa ry'Ubwami n'iyerekwa risubira kwubaka umugambi w'i Siyoni. ***"Kuk'Uhoraho azoba asubiye kwubaka i Siyoni, Kand'azoba abonekanye icubahiro c'ubwiza bwiwe" (Zaburi 102:16)***

Ishengero s'abana b'abantu ariko n'abana b'Imana batoranijwe kwegukira ubwami bwayo.

"Gushitsa uwa mbere na mbere aje, atsindanishiriza abera b'isumba vyose; <u>nukw'igihe</u> <u>kirashika,</u> <u>abera</u> <u>begukira</u> <u>ubwami</u>" (Daniyeli 7:22)

Muri kino gihe abana b'Imana bariko barondera kumenya, gutahura no gushitsa ubugombe bwa Se. Ihinduka rikomeye ririko riraba, Abana b'Imana bariko baratahura igikorwa n'intego ya Se. Abana b'Imana bariko baravugutirwa batunganywa mw'ibanga, bidusaba ubwenge mu Mana kugira dutahure intambuko y'umugambi Imana iriko ivuga kandi ikora ubu.

"Benshi bazotunganywa, bezwe, bavugutirwe; arikw'abanyakibi bazoshishikara gukora ikibi, kandi nta n'umwe mu banyakibi azobitahura; <u>arikw'abagize ubwenge</u> <u>bazobitahura</u>" (Daniyeli 12:10)

IV. IBANGA RY'UBWAMI

"Arabishura, ati Mwebwe mwahawe ibanga ry'Ubwami bw'Imana, arikw'abo hanze babarirwa vyose mu migani" (Mariko 4:11)

"Imana ishobora kubakomeza, nk'uk'ubutumwa bwiza nahawe n'ukwigisha ivya Yesu Kristo bivuga, bihura no guhishurwa kw'ibanga ryahozwe uhereye kera hose, ariko mur'iki gihe riraseruka, kand'ivyanditswe n'abavugishwa n'Imana birimenyesheje amahanga yose, nk'ukw'Imana ihoraho yageze, kugira ngo bumvire Imana babiheshwa no kwizera." (Abaroma 16:25–26)

Reka ubwambere dushireho insobanuro y'ijambo "***ibanga***". Ijambo ibanga rizananye mw'ijambo ry'ikigiriki "***musterion***", risobanura ibanga (secret). Ibanga mu nsobanuro ya bibiliya ntirisobanura ikintu c'ikinyegezwa, canke c'umwijima. Mu vyanditswe ibanga ni ikintu cagizwe ibanga igihe kirekire ariko gihishurwa kigashirwa ahabona mu gihe cashingiwe. Ibanga ni umugambi w'ijuru Imana yateguye kuva mu matanguriro ariko wari uhishijwe abantu kugeza igihe washingiwe.

Intumbero y'Ubwami bw'Imana nkuko vyerekanwa muri kino gitabu bifise inkomezi zo kuzana ihinduka muri kamere n'akaranga kacu mu mugambi w'Imana. Ubwami bw'Imana benshi bibazako ari ijambo ry'icaduka muri kino gihe kuko ritigeze kuvugwa mu bihe vyarenganye. Kuba Ubwami bw'Imana butigishijwe mu bihe vyarenganye ntibisobanurwa ko atari ukuri kw'umugambi w'Imana. Inyishu yo kwizigirwa n'uko Ubwami bw'Imana ryari ibanga ry'Imana kuva mu matanguriro y'isi ariko mur'ik'igihe ririko riraseruka kugira rikorere mu gihe ryongere ryerekan'igihe kandi rirangize igihe (***Matayo 24:14***).

Nimba umugambi w'Ubwami bw'Imana uterekanwe mu kuri, wongere uhishurwe mu bwizigirwa kandi usobanuwe neza, kandi ishengero ryongere riwubemwo, ishengero rizobandanya kuyerera mu bugararwa bw'umugambi udashitse. Ugutahura mu Bwami bw'Imana ntigushobora kuba ukw'akanya gato canke kubakwe uko umuntu agomvye.

Dusomye ivyanditswe dusanga mu migani ya Yesu atakindi yigishije atari ibanga ry'ubwami bw'Imana. Hari ukuri gushasha kuvy'Ubwami bw'Imana, kutavuzwe mw'Isezerano rya Kera, ariko ubu kwarahishuwe mw'isi n'igikorwa c'Umwami Yesu.

Ni nkenerwa ubwambere ya vyose ukuganza kw'Imana guhishurirwa mu bwami bwayo.

Umugambi wo kumenya no kurondera kuba munsi y'ubwami bw'Imana ntushobora kwirengagizwa canke ngo usubire inyuma. Ubwami bw'Imana ni inyishu y'inkuru zose n'ibihembo ry'abizera (abana b'Imana). Ubwami bw'Imana n'urutonde rushasha ruri kuri twebwe na bugingo n'ubu. Habwirizwa kuba ihinduka ryo mu mizi y'ubuzima bwacu biciye mu gutahura amabwirizwa y'Ubwami.

Hariho ihishurirwa ry'Ubwami rya kazoza ari naryo ukuganza kwa Yesu Kristo n'abera mw'isi. Ariko rero Ubwami bw'Imana si **eskatolojiya** irindiye ibizoba muri kazoza gusa. Umugambi w'Ubwami bw'Imana ni uwa kazoza ariko buriho muri kubu kandi burakora.

"Abafarisayo bamubajije igihe Ubwami bw'Imana buzozira, arabishura at'Ubwami bw'Imana ntibuzoza bwerekanwa Kandi ntibazovuga, bat'Ehe ngubu: canke bati Nguburiya; kuk'ubwami bw'Imana buri muri mwebwe." (Luka 17:21)

"Mur'iyo misi haza Yohana Umubatizi, yigishiriza mu bugaragwa bw'I Yudaya, ati mwihane, kuk'Ubwami bwo mw'ijuru buri hafi" (Matayo 3:1–2)

Ubwami bw'Imana ni ubukuru buhebuje bw'Imana mu gushinga ubugombe n'umugambi wayo kw'isi. Ubwami bw'Imana ntibwerekeye ubwa mbere na mbere ikibanza tujamwo mu gihe dupfuye, naho ari ukuri kw'ivyo, kuko Ubwami bw'Imana s'ubw'abapfuye ariko ni ubw'abazima. ***Ibanze rya vyose Ubwami bw'Imana buvuga ububasha bw'ukuganza kw'Imana twakirira mw'isi.***

"Bakiriko barumva ivyo, avyongerako umugani, kuko yari hafi y'i Yerusalemu, kandi kuko biyumvira yuk'Ubwami bw'Imana bugira buboneke uwo mwanya nukw'aravuga, ati habaye umuganwa yagiye mu gihugu ca kure kwimikirwayo, ngw'agaruke. Ahamagara icumi bo mu bishikira biwe, abaha amahera cumi yitwa mina, arababarira, ati Muyacuruze, mugeze aho nzozira. Arikw'abantu bwiwe baramwanka, bamukwirikiza intumwa, bat'uyo ntitugomba kw'atuganza. Agarutse, amaze kwimikwa, ahamagaza ba bishikira yasigaranye ya mahera, ngw'amenye inyungu umuntu wese yungutsemwo mu kuyacuruza" (Luka 19:11–15)

"Maze Yesu arabahamagara, ati Ni mureke abana bato baze aho ndi, ntimubabuze: kuk'Ubwami bw'Imana ar'ubw'abameze batyo." (Luka 18:16)

Nk'uko tubisanga mu butumwa bwa ***(Luka 19:11–15)*** ubwami buzoragwa s'ikibanza. Uyo muganwa yavuze ati ***"Muyacuruze, mugeze aho nzozira"*** kandi nawe nyene ntiyaragiye kuragwa ikibanza c'ibihe bidashira ariko yaragiye kwakira ubwami m'umugambi wo kuzogaruka kuganza. Urugendo rwiwe kwari kugenda no kwakira ububasha bwo kuganza, hanyuma agaruke mu kibanza aho ububasha bwiwe buzokorera.

"Nuko mwihane, muhindukire, ivyaha vyanyu bihanagurwe, ibihe vyo guhembuka bibone ingene biza, bivuye mu nyoga z'umwami Imana, kugira ngo na yo iz'itume Kristo yabatoranirijwe kera, ni we Yesu. Arikw'ijuru rikwiye kumwakira, gushitsa kubihe vyo gusubira guhindura ibintu vyose bisha, nk'ukw'Imana yavuze mu kanwa k'abera bayo yavugisha bose, uhereye ubwa na mbere." (Ivyakozwe 3:19–21)

Intumwa z'Umwami Yesu Kristo nizo zavuze ubutumwa ubwa mbere inyuma y'iduzwa rya Kristo. Bari buzuye Mpwemu Yera ku musi wa Pentekote nk'uko bari barindiriye mu nzu yo hejuru. Ubutumwa bwabo bwazanye ikanguro rikomeye cane n'ihinduka kandi abantu baratangajwe n'ibimenyetso Imana yakora. Paulo yavuze ati *"**Ni mwihane**"*. Ijambo kwihana rivuye mu kigiriki ***"metanoeo"***, bisobanura kwibaza, kwiyumvira canke guhindura canke guhindukira. Kwihana s'akayabagu k'ibigumbagumba ariko ni uguhindukira tuva mu nzira zacu twinjira mu nzira z'Imana. N'ivyo igiciro kumenya yuko mu kugira tube abanyabwami bw'Imana dukeneye kwihana.

Mu gihe abantu bihanye (kwibaza, kwiyumvira canke guhindura canke guhindukira), ivyaha vyabo birahanagurwa kandi bigaharirwa. Hari igihe co kugirwa basha kubaza bose imbere y'Umwami uwo Ijuru rikwiye kwakira, gushitsa ibihe vyo gusubira guhindura ibintu vyose bisha. Ijambo ***"kwakira"*** rivuye mu kigiriki ***"dechomai"***, bisobanura kwemera, gutora. Mu kigiriki ijambo ***"guhindura ibintu vyose bisha"*** ni "***Apokatastasis***", risobanura kunagura canke kugarukana ikintu kw'ishusho yaco nk'uko caremwe.

Umwami Yesu ntazogaruka mw'isi gushika umugambi w'Ubwami bw'Imana ushinzwe mw'isi. ***Umwami Yesu ntazogaruka ubwakabiri azanwe no gushinga***

ubwami, ariko ubwami bwiwe buzoshingwa imbere yuko aza.. Umwami Yesu agiye kuza kwakira ubwami buriko burashingwa mur'ik'igihe n'ishengero mw'isi. (1 Abakorinto15:24–28). Ariko ijuru rikwiye kumwakira, gushitsa mu bihe vyo gusubira guhindura ibintu vyose bisha. ***(Ivyakozwe 3:19–21)***

Iyerekwa ry'integura (plan) ry'Ubwami ryarahishijwe abakozi b'Imana mu bihe vyarenganye, ariko ririko rirahishurwa muri kino gihe. Imana yashingiye imbibe ikintu cose kandi ikintu cose kibe mu mwanya waco ***(Umusiguzi 3:1)***. Ntidushobora kubimenya kiretse ibiduhishuriye. Uguhishurirwa kuriko kuraza muri iyi myanya n'ibi bihe vy'iherezo nk'uko vyavugishijwe Yoweli ***(Yoweli 2:28)***. Imana iduhamagarira mu mugambi w'ubwami bwayo no gukorera mu gihe cayo c'umwihariko.

"Ibikir'amabanga n'ivy'Uhoraho Imana yacu, arikw'ibimaze guhishurwa n'ivyacu n'uruvyaro rwacu ibihe vyose, kugira ngo twitondere amajambo yose y'ibi vyagezwe." (Gusubira mu vyagezwe 29:29)

Ibanga ry'ihishurirwa ry'Imana ni ikirenga kuri twebwe biciye mu bikorwa vy'intumwa n'abavugishwa n'Imana. Ni naco gituma igikorwa c'intumwa n'abavugishwa ari umushinge mu mubiri wa Kristo. Intumwa n'abavugishwa bakora kugira bavuge ihishurirwa ry'ibanga rya Kristo n'ubwami bwiwe bitera ubugingo, amagara meza n'ugukura kw'ishengero.

"Ereg'Umwami Uhoraho ntazogira ico akora, atabanje kwibira akabanga abasavyi biwe avugisha" (Amosi 3:7)

"Namba mwarumvise ububwiriza bwa bwa buntu bw'Imana nahawe kubagaburira: yuko muguhishurirwa natiwe ibanga, nk'uko babanje kwandika mu majambo make, namwe, nimwayasoma, muzoshobora kubona ingene nzi ibanga rya Kristo. Ivyo, abana b'abantu ntu ntibabimenyeshejwe mu bindi bihe, nk'uko mur'iki gihe intumwa ziwe zera n'abavugishwa nawe babihishuruwe na Mpwemu." (Abanyefeso 3:2–5)

Ni ngirakamaro gutahura ico Imana yahamangiye kuri muntu wese no kugikorwa cose. Tubwirizwa kwiga kunezererwa ikibanza Imana yadushizemwo no gutanga icumba c'umutima kugira itwuzuzemwo amajambo y'ukuri kwayo.

Ivy'igikundiro kuvuga ivyo Umwami aduhishurira yuko ari vyo murunganywe rwacu mu buryo bwumvikana kandi burashe.

V. UBUTUMWA BWIZA BW'UBWAMI

Ishimikiro nyamukuru y'Isezerano rya Kera kwari kuza k'Ubwami bw'Imana bugashingwa na Mesiya. Ivyagezwe bo n'amajambo y'abavugishwa vyashingira intahe ivyo. Yohana umubatizi yabaye uwambere yavuze ko Ubwami bw'Imana bwerekanywe muri Kristo.

"Ivyagezwe, bo n'amajambo y'abavugishwa n'Imana, vyabayeho gushitsa igihe ca Yohana: uhereye ico gihe ubutumwa bwiza bw'ubwami bw'Imana ni ho bwavugiwe, umuntu wese akabubandanira" (Luka 16:16)

"Mur'iyo misi haza Yohana Umubatizi, yigishiriza mu bugaragwa bw'I Yudaya, ati mwihane, kuk'Ubwami bwo mw'ijuru buri hafi" (Matayo 3:1–2)

Duseranguye ivyanditswe twitonze dusanga Ubwami bw'Imana bwari umutima w'igikorwa ca Kristo. Inyigisho ziwe zerekana uko umuntu yinjira mu Bwami bw'Imana ***(Yohana 3:3–8).*** Ibikorwa vyiwe vy'inkomezi yagomba kwerekana ko Ubwami bw'Imana bwadushikiriye ***(Matayo 12:28)***. Imigani yiwe yerekana ukuri kw'ibanga ry'Ubwami bw'Imana. Igihe yigisha abigishwa biwe gusenga, mu mutima w'isengesho ryiwe harimwo amajambo ***"Ubwami bwawe buze, ivyo ugomba bibe kw'isi nk'uko biba mw'ijuru" (Matayo 6:10)***.

Ni ngirakamaro kumenya y'uko ubutumwa Yesu yavuze atari ikindi ariko bwar'Ubwami bw'Imana. Ubutumwa bwa Yesu yari intango y'igihe gishasha c'ubwami bwari hafi ***(Matayo 4:17)***. Umugambi n'igikorwa c'ukuri ca Kristo n'ugukorera igihe cose Ubwami bw'Imana no gushinga Ubwami bw'Imana mw'isi.

"Yesu agendagenda i Galilaya hose, yigisha mu masinagogi yabo, ababwira ubutumwa bwiza bw'ubwami, akiza indwara n'ubumuga vy'uburyo bwose mu bantu." (Matayo 4:23)

"Yesu agendagenda mu bisagara vyose no mu mihana yose, yigisha mu masinagogi yabo, avuga ubutumwa bwiza bw'ubwami, akiza indwara zose n'ubumuga bwose." (Matayo 9:35)

"Yohana amaze gushirwa mw'ibohero, Yesu aja I Galilaya, at'igihe kirashitse, Ubwami bw'Imana buri hafi: mwihane, mwemere ubutumwa bwiza."(Mariko 1:14–15)

"… Ishengero riramurondera, bashika ah'ari, bageza kumubuza ngo ntave muri bo. Maz'arababwira, ati Nkwiye kuvuga ubutumwa bwiza bw'ubwami bw'Imana no mu bindi bisagara, kukw'ari co natumwe"(Luka 4:42–43)

"Hashize igihe gitoya, agendagenda mu bisagara no mu mihana, ababwira ijambo ry'Imana, avuga ubutumwa bwiza bw'ubwami bwayo; bamwe cumi na babiri bajana nawe" (Luka 8:1)

Mu majambo yumvikana, ni vyiza kumenya ko inyigisho Yesu yigishije abigishwa biwe ntizari ikindi ariko yariko arashitsa ubutumwa bwiza bw'ubwami bw'Imana bwari bushikijwe. Inkomoko n'akaranga k'ubutumwa bwaYesu bwari Ubwami bw'Imana, kandi igikorwa c'umwihariko ku bigishwa biwe kwari kwamamaza Ubwami bw'Imana. Ubutumwa bw'intumwa n'Ubwami bw'Imana.

"Abatuma kubarira abantu ivy'ubwami, no gukiza abarwaye: arababarira, ati Ntimugire ico mujana ku nzira, ar'inkoni cank'isaho, cank'impamba, cank'amahera: kandi ntimugire amapfundo abiri." (Luka 9:1–2)

"Za ntumwazigarutse zidondera Yesu ivyo zakoze vyose, arabajana, abihererana mu gisagara citwa betsayida. Maz'ishengero ribimenye riramukurikira: arabakira, ababwira ivy'ubwami, kand'abagomba kuvurwa arabakiza" (Luka 9:10–11)

"Ariko Yesu aramubarira…ariko weho genda, ukwize ivy'Ubwami bw'Imana" (Luka 9:60)

"Mu nyuma y'ivyo, Umwami Yesu atoranya abandi mirongwirindwi, atuma babiribabiri, ngo bagende imbere yiwe mu bisagara vyose n'ahantu hose ah'agira ace. Kand'igisagara cose mujamwo bakababakira, muze murye ivyo babahaye, mukize abarwaye baho, mubabwire mut'Ubwami bw'Imana burabegereye" (Luka 10:1,8-9)

"Ariko bizeye utumwa bwiza filipo ababwiye, bw'Ubwami bw'Imana n'ubw'izina rya Yesu Kristo, barabatizwa, abagabo n'abagore" (Ivyakozwe 8:12)

"Amara mu nzu yiwe yatangiye ikibuguro imyaka ibiri yiramvuriye: yama yakira abaje kumugendera bose, akababahanura mu vy'Ubwami bw'Imana, akigisha ivy'Umwami Yesu Kristo, ashize manga rwose, ata wumubuza"(Ivyakozwe 28:30)

"Ntidushingira ngo turenze urugezo rwacu, nk'abatashitse kuri mwebwe, kuko twashitse no kuri mwebwe koko, <u>tuzanye</u> <u>ubutumwa</u> <u>bwiza</u> <u>bwa</u> <u>Kristo</u>" (2 Abakorinto10:14).

Ubutumwa bw'Ubwami bw'Imana bwari kandi ni umutima w'ubutumwa bwa Yesu n'intumwa ziwe. Ishengero rya none rifise igikorwa nk'ico intumwa co kuvuga mw'isi yose ubutumwa bw'Ubwami bw'Imana ngo bubere ikimenyetso kibere icabona amahanga yose, imbere y'uko umuhero ushika.

"Kand'ubu Butumwa Bwiza bw'Ubwami buzovugwa kw'isi yose, ngo bube ikimenyetso kibere icabona amahanga yose, maz'umuhero uzoca uza" (Matayo 24:14)

Ubu ubutumwa bw'ubwami n'iki? Kugira dushobore gushitsa iki igikorwa. Ugutahura ni nkenerwa.

Ijambo ***"ubutumwa"*** mu kigiriki ni "***euangelion***", risobanura inkuru nziza. Dukoresheje iyo nsobanuro, Ubutumwa bw'Ubwami n'inkuru nziza z'ubwami. Ni iyahe nkuru y'Ubwami bw'Imana ikwiye kuvugwa kugira ibere amahanga icabona? Ni vyiza ko dusubira mw'itanguriro kugira dutahure iciyumviro n'umugambi w'Imana. Ubutumwa tuvuga bwerekeye igarukanwa ry'ubwami twahozemwo nk'uburenganzira n'ubuntu bw'umuntu, ariko twakuwemwo kubwo kutumvira k'umuntu wa mbere mw'itongo rya Edeni. Igitabu c'Itanguriro ni igicapo c'ivyo Imana iriko irakora ubu mw'isi. Turiko turagarukanwa mw'itanguriro ry'umugambi wo kuganza. Ubwami bw'Imana n'umugambi w'Imana kw'isi kuva mu matanguriro ya vyose.

"Imana iravuga, iti tureme umuntu mw'ishusho yacu, ase natwe: <u>aganze</u> amafi yo mu kiyaga, n'ibiguruka mu kirere, n'ibitungano, n'isi yose, n'ivyikwega vyose, bigenda bikwega nda hasi. Nukw'Imana irema umuntu mw'ishusho yayo, mw'ishusho y'Imana niho yamuremye; irema abantu bari uburyo bubiri. Maz'Imana irabahezagira, iti Ni murondoke, mugwire mwuzure isi <u>muyiganze</u>; Mugabe amafi yo mu kiyaga, n'ibiguruka mu kirere, ubugingo vyose bigendagenda kw'isi." (Itanguriro 1:26–28)

Intego y'Imana kwari kurema umuntu mw'ishusho yayo kandi asa nayo, uyo muntu akagira ububasha ku biri mw'isi yose kandi agaserukira Imana mu ngoma

y'isi. Umuntu yabumbwe mw'ishusho y'Imana. Kubw'ivyo umuntu yari nk'imana iganza ivyo kw'isi.

"Ni jewe ubwanje navuze, nti Mur'imana, Mwese mur'abana b'isumba vyose" (Zaburi 82:6)

"Yesu arabishura, ati Mbega ntihanditswe mu vyagezwe vyanyu, ngo Navuze nti Mur'imana?" (Yohana 10:34)

Umuntu yahawe inkomezi zogukorera mu bushobozi bw'Umuremyi wiwe nk'imana kw'isi. Kutumvira kw'umuntu kwamuzaniye gutakaza uburengazira n'ubuntu bw'ubwami bw'amuha kuganza ibiri kw'isi vyose nk'imana. Imbere yuko umuntu acumura yari mu mwuzuro wo kubaho kw'ubwami bw'Imana mw'isi kandi ubwiza bw'Imana bw'ibihe bidashira kwari bumukikije. Umuntu yabeshwaho n'ubugingo bw'Imana bwari muri we.

Umunezero w'ubu butumwa bwiza ni uko Imana, Uhoraho yabonye iherezo ry'umuntu kuva mu matanguriro, Imana yarizi ko umuntu atazoshikira ukwera kwayo, azocumura. Kandi Imana yarateguye ikigega co kuzohindura umuntu akaba mushasha mu mwana wayo Yesu (Umwagazi w'intama y'Imana), azokura ivyaha vy'umuntu. Ntanakimwe gishika Imana itakizi kuko yaraducaguye kandi yaradutoranije muri yo amatanguriro y'isi atarashirwaho. ***(Abanyefeso 1:4–5)***

Umugambi w'Imana n'uwibihe bidashira kandi kuva mu matanguriro yo kuremwa kw'isi nabugingo n'ubu umugambi wayo ntuhinduka. Nimba dushaka kumenya intumbero y'Imana mu Butumwa bw'Ubwami muri iki igihe, tubwirizwa gusubira mw'Itanguriro kugira bidufashe kumenye ico Imana iriko ikora muri iki igihe. Imana ifise integuro yo kuhingura gusha gucumura no kugwa k'umuntu. Imbere y'uko umuntu agabitanya Imana yarashizeho ikigega c'ukugororoka muri Kristo. Ubugombe bwayo ni ukutugira basha tugasa nk'uko integuro yokuremwa yasa.

"… Umwagazi w'intama yatanzwe kw'ikimazi uhereye ku kuremwa kw'isi" (Ivyahishuwe 13:8)

"Muzi yukw'ivyo mwacungujwe ngo muve mu ngeso zanyu z'imburakimazi mwatojwe na ba sogokuruza atar'ibishira, nk'ifeza cank'izahabu, ariko mwacungujwe amaraso y'igiciro kinini, nk'ay'umwagazi w'intama utagira agasembwa cank'ibara, ni yo ya Kristo. Uwo yamenywe n'Imana kera,

itanguriro ry'isi ritarashirwaho, ariko yerekanywe kw'iherezo ry'ibihe kubwanyu" (1 Petero 1:18–20)

"Nk'uko yadutoranirije muri we, itanguriro ry'isi ritarashirwaho, kugira ngo tube abera tutagira agasembwa imbere, turi mu rukundo. Kuko yagabiye kera ko duheshwa na Kristo gucika abana bayo kubwayo, nk'uko yabigomvye bikayihimbara." (Abanyefeso 1:4–5)

"Ati mwihane, kuk'Ubwami bwo mw'Ijuru buri hafi" (Matayo 3:2)

"Guhera ubwo, Yesu atangura kwigisha, ati mwihane, kuk'Ubwami bwo mw'Ijuru buri hafi" (Matayo 4:17)

"… Igihe kirashitse, ubwami bw'Imana buri hafi: mwihane, mwemere ubutumwa bwiza" (Mariko 1:15)

Yohana umubatizi na Yesu bose bavuga ko ubwami bw'Imana buri hafi. Dusobanuye mu nyandiko tuvuga kw'Ubwami bw'Imana buriho muri iki igihe. Ukuganza kw'Imana kwari kwitezwe imyaka ibihumbi vyinshi kwaraseruwe no muri ubu bugingo ariko kukazoba mu buryo buboneka Yesu nagaruka ubwakabiri. Iryo jambo ryitwa ubutumwa bwiza, inkuru nziza. Ubutumwa ni inkuru nziza y'uko Ubwami bw'Imana buri hafi. Inkuru nziza ni uko haje guhindurwa gusha kw'umuntu, kuko ubwami bw'Imana buri hafi. ***Igihagararo cacu, uburenganzira bwacu, ubuntu twagiriwe kandi n'ububasha biriko biragirwa bisha.***

Ukuza kwa Yesu Kristo mw'isi kwazaniye umuntu ukundi gusha ubwami bw'Imana n'ukuganza hamwe n'uburenganzira n'ubuntu yari yatswe no kutumvira. Ubutumwa bw'ubwami ni ihishurirwa rya Kristo n'ubwami bwiwe. Ubu n'ubwo butumwa bwiza bwo kuvugwa mw'isi yose. Ni ukuri ntanyiganyizwa kukuganza kw'Imana kuriko kuragarukana ishusho yayo mu muntu. Ubu nibwo butumwa bwiza bukwiye kwamamazwa kw'isi n'igarukanwa n'ishingwa ry'ubwami bw'Imana. Si ubutumwa bwiza bw'ubwami bw'ibihe bizoza gusa ariko ni ubutumwa bwiza bw'ubwami buriko burakora muri ubu bugingo. Mu gihe twotahura ubutumwa bwiza bw'Ubwami bw'Imana amabwirizwa n'ubushobozi bikorana natwe kubera tuba turiko dukoresha ububasha n'uburengazira vyari ivyacu kuva mu matanguriro y'isi. Ubwami bw'Imana si amajambo ariko ni ubushobozi.

“Kuk’ubwami bw’Imana atar’ubw’amajambo, ariko n’ubw’ubushobozi.” (1 Abakorinto 4:20)

Ubwami bw’Imana buriho muri ubu bugingo kandi ukuganza kw’Imana gutegeka vyose kuriko kurasukwa mw’isi. Iy’isi ifashwe n’agahahirizo, n’imigozi vy’urupfu vy’umuvumo n’ububasha bw’umwiza no kuganza kw’abadayimoni. Ubwo bubasha bw’umwiza burakekeranya ubutumwa bwiza bw’Ubwami bw’Imana, kuko ubutumwa bw’Ubwami bw’Imana busambura kandi bukuraho kandi buheraheza ibikorwa vy’umwiza be n’ibigirwamana.

VI. UBUGINGO BUDASHIRA

Inyigisho y'ubugingo budashira yarigishijwe mu bihe vyinshi kandi vyaranditswe mu bitabu vyinshi, ariko insiguro y'ubugingo budashira ntiratahugwa na benshi. ***Igituma ni uko abavuga butumwa bigisha cane ku mugisha kandi bagategura abantu kuja mw'ijuru gusumba gushitsa umugambi w'Ubwami bw'Imana kw'isi***. Ijuru n'inyungu yo kwizera kwacu, ariko si wo mugambi w'imfura watumye Imana itanga umwana wayo w'ikinege. Intumbero n'intego ubwambere na mbere si ukuja mw'ijuru, ariko ni ukuganzanya n'Umwami mu bwami bwiwe. Ijuru iyaba ariwo mugambi w'agakiza kacu, Imana yari kutujana mw'ijuru umusi wambere twakiriyeko Yesu mu bugingo bwacu. Hariho vyinshi mu Mana tubwirijwe kumenya.

Tubwirizwa gutangura kutegera yuko Ubwami ari integuro y'uburiza (imfura) mu migambi y'Imana, kandi iyo nteguro ibwirizwa kuba intego y'ubutumwa bw'ishengero ryose rya Kristo rivuga kugira ngo rigende nk'uko bibereye abera b'Imana.

"Kugira ngo mugende nk'uko bibereye aber'ab'Imana, ibahamagarira kuja mu bwami bwayo no mu bwiza bwayo" (1 Abatesalonike 2:12)

Twahamagariwe mu bwami no mu bwiza. Ntanahamwe mu vyanditswe tubona ko Yesu canke intumwa ziwe bicaye barindiriye ijuru, ariko bashitsa umugambi w'Ubwami bw'Imana. ***"Ng'umwizera wese ahabwe ubugingo budashira. Kuk'urukundo Imana yakunze abari mw'isi ari rwo rwatumye itanga umwana wayo w'ikinege, ng'uwumwizera wese ntaz'apfe rubi, arikw'ahabwe ubugingo budashira." (Yohana 3:15–16)***

Twizeye kandi tukatura Yesu Kristo, turonka ubugingo budashira canke ubugingo bw'ibihe vyose. Ubugingo budashira s'ubuzima tuzoronka tumaze gupfa, ariko tuburonkeshwa no kwizera Kristo muri buno bugingo. Kandi ubugingo budashira ntibusobanura kugira ubuzima butagira iherezo mw'ijuru.

"Yesu avuze ivyo, arangamiza mw'ijuru, ati Data, igihe kirashitse: shimagiza umwana wawe, ng'umwana agushimagize; nk'uko wamuhaye ububasha ku bafise umubiri bose, ngw'abo wamuhaye bose abahe ubugingo budashira." (Yohana 17:1–3)

Insobanuro y'ubugingo budashira ni ubucuti dufitaniye na Data muri Kristo. ***Ubugingo budashira bwerekeye urugezo rw'ubucuti bushasha dufise ku Mana***

abatizera badafise. Ni ukumenya Imana imwe y'ukuri na Yesu Kristo uwo yatumye mw'isi. ***Ubugingo budashira s'ubw'abapfuye n'ubw'abazima.***

Ubugingo budashira bwashiriweho umuntu, ariko ntibwashiriweho ikibanza citwa ijuru.

Turavye mu mutima w'isengesho rya Yesu "***Ubwami bwawe buze, ivyo ugomba bibe kw'isi nk'uko biba mw'ijuru" (Matayo 6:10).*** *Turakeneye kumenya ko Imana yitwararitse cane gushinga ubwami bwayo mw'isi nk'uko buri mw'ijuru gusumba kujana isi mw'ijuru.* Igikorwa c'ubutumwa bwiza bw'Ubwami bw'Imana kiriko kirahishurwa. N'ukuganza kw'Imana kwari guhishijwe mw'ijuru kuriko kurazanwa mw'isi. Tuvuze "***ubwami bwawe buze***" n'ukwerekana neza kw'ukuganza n'ukugororoka kuriko kurahishurwa.

Ubwami bw'Imana ntibufise intego yambere yo kujana ivyo mw'isi mw'ijuru ariko yo kuzana ivyo mw'ijuru kw'isi.

Intumbero yo muri ***Matayo 6:10*** ntizokorwa n'abamalayika canke abapfuye bazogaruka mu buzima, ariko ni igikorwa c'ishengero ry'Umwami Yesu Kristo.

Ishengero ryuzuye Mpwemu rifise ububasha bwo kuvuga ubutumwa bw'Ubwami bw'Imana no guhishura ukuganza kw'Imana.

Hari ubutumwa bumwe gusa bushobora kuzana imiryango ivuye mu mpande zose z'isi kwumvira no gukora ubugombe bw'Imana.

Ubutumwa bw'Ubwami ni intego y'ishengero kandi ni ivyizigiro rudende kugucungurwa kw'umuntu. Gusubiriza ubutumwa bw'Ubwami bw'Imana ntibizana umugambi w'Imana mw'isi kandi ntibizana amahanga n'ubwami bw'isi musi y'ukuganza kw'Imana.

Umwuzuro w'umugambi w'Imana waratakaye kubera ubutumwa butuzuye kandi habuze ugutahura ubwami. Nk'uko tugenda tuvuga mu butumwa bwiza bw'umugisha w'ibiboneka. Tubwirizwa kuva kubiboneka tukinjira mu vy'ubugingo budashira bitera gutahura umugambi w'Imana mw'isi.

Ukuza kwa Yesu ava mw'ijuru aza kw'isi ntikwari kudukura mw'isi, ariko kuducungura no kutugira basha.

Turiko tuvuga ubutumwa bwiza bw'Ubwami bw'Imana tuba turiko turema impwemu y'ukuganza. Ijambo ryo kuganza mu kigiriki ni "***kubernao***" bisobanura kuganzanya ububasha canke kuyobora politike n'ibikorwa vy'intwaro. Ishengero

ryatoranijwe kuganzanya ubushobozi no kuyobora politike n'ibikorwa vy'Ubwami bw'Imana.

Mu gikorwa co gushinga ubwami twerekana ubukoloni bw'ubwami bw'Imana mw'isi, ariko ntidukoresha inkomezi zacu. Ububasha bwo kuganza kwacu buva ku ngoma isumba vyose yo mw'ijuru. Turi mw'isi kubw'igikorwa c'umwihariko co kuzana isi mu bukoloni bw'Ubwami bw'Imana. Mu gihe tuvuze ubukoloni bizana iciyumviro co gushira mu buja, ibikorwa vy'agahato, gucinyiza no guhonyanga agateka kazina muntu n'urutonde. Ubukoloni bukorwa n'ishengero mw'isi ntibufise intumbero yo gushira mu buja, ibikorwa vy'agahato, gucinyiza no guhonyanga agateka kazina muntu n'urutonde, ariko n'urutonde ruva kububasha bw'ingoma yo mw'ijuru aho ubwami bwose bwo mw'isi buzohinduka ubw'umwami wacu n'ubwa Kristo wiwe.

"Umumalayika w'indwi avuza inzamba: mw'ijuru hakurikira amajwi arenga, at'ubwami bw'isi buhindutse ubw'umwami wacu n'ubwa Kristo wiwe, kan'azohora ahangamye ibihe bitazoshira." (Ivyahishuwe 11:15)

Ubukoloni bukorwa n'ishengero mw'isi bufise intumbero yo guhishura ukugororoka, amahoro n'umunezero vy'ubukuru no kuganza kw'Imana.

"Kand'ubu butumwa bwiza bw'ubwami buzovugwa mw'isi yose, ngo bube ikimenyetso kibere icabona amahanga yose, maz'umuhero uzoca uza." (Matayo 24:14)

Ijambo "***amahanga***" rikoreshwa mu kigiriki "***ethnos***" risobanura "***amasinzi***" canke"***amoko y'abantu***" n'"***imiryango***". Ni ubugombe bw'Imana bwo kwinjira mw'isi no gufata amahanga n'ubutumwa bwiza bw'ubwami bw'Imana. Hariho akadirisha kugurutse ku mahanga. Tubwirizwa gutangura kwimbura ivyimburwa vy'ubwami bw'Imana mu mahanga. N'igihe c'iyimbura rya vyose, tubwirizwa guhaguruka kandi tukagura imbibe, n'umwanya wo kwagura Ubwami bw'Imana.

KLC

Kingdom Life Community n’igikorwa gifise ikiguzi c’intumwa, KLC yagizwe imbohe yo kwamamaza ubutumwa bwiza bw’ubwami no guhishura umugambi w’Imana no kugaburira amahanga.

KLC yashinzwe nk’inyishu y’iyerekwa itanzwe n’Imana muri iki gihe c’iyimbura c’ishengero rya nyuma. Muri iri sukwa rihambaye rya Mpwemu Yera, KLC irizera intambuko nsha. KLC iriko ikorana n’impwemu y’ubuhishuzi canecane mw’ijambo no mu nyigisho z’ubuvugishwa kubw’amavuta n’ubuntu bw’intumwa bugendana na yo. KLC ifise umwitwaraniko wo gukomeza no kurungika umubiri wa Kristo mu gikorwa gihambaye co gukira no kubohoka.

Ivyerekeye umwanditsi

Pasteur NDAYISENGA Wenceslas ni umukozi w'Imana n'umwigisha muri kaminuza. Ari mu bashinze Kingdom Life Community.

Yanditse ibitabo bitandukanye. Muri vyo harimwo Gutahura Ubwami bw’Imana, rwanditswe kugira ngo rufashe urwaruka kumenya, kurinda, gutegura no gushikana iyerekwa ryarwo mu nzira y'Ubwami bw'Imana.

Aho ashobora kuronkerwa

- **Email:** wenceslas304@gmail.com
- **Telefone:** +257 79 93 89 21 / +257 79 98 82 36
- **Urubuga:** https://bujumbura.bi